# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uyu w'Imana igenekerezo rya **27 Kigarama 2020**, umunsi aba Kristu Gatorika bahimbaza Umusi Mukuru w'Umuryango Mweranda w'i Nazareti, Umukuru w'Igihugu, Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye, ari kumwe n'Umutambukanyi wiwe Nyenicubahiro Angeline Ndayishimiye, n'ibibondo vyabo, bifadikanije n'Aba Kristu ba Paruwasi Kiganda mu ntara ya Muramvya, mu Nkuka ya Misa ya gatatu.

Mw'ijambo yashikirije ryo kuramutsa Aba Kristu ba paruwasi Kiganda, Sebarundi yabipfurije Noweri nziza n'umwaka mushasha wa 2021, abipfuriza ko woba umwaka w'amahoro n'umutekano. Yasavye Abarundi guhinduka, bakaba abantu b'ubuntu, urukundo, ubumwe n'umuvukano, gushika naho n'isi yose itangarira Uburundi n'Abarundi.

Sebarundi yashimye kandi ko uyu musi ushitse Abarundi bari mu mahoro n'umutekano, ata nzara ivugwa mu gihugu, n'ikirere kikaba kimeze neza, akizerako umwimbu uzogenda neza mu gihugu cose, kugira ngo intumbero ya Reta y'uko umunwa wose woronka ico ufungura ishobore kuja mu ngiro.

Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye yabashimiye kandi kubona baramwizeye kugira ngo abere Umusuku Abarundi bose, aca abasaba na ntaryo kugira umutima w'urukundo, ubumwe n'umuvukano muri uyu mwaka mushasha dutanguye, no kuguma bamusabira, kugira ngo Mutima Mweranda amushoboze, muri ico gikorwa kidasanzwe co kurongora Uburundi.

Yarangije asaba Abarundi bose kugira umutima w'urukundo n'ubumwe mu miryango, mu kibano no mu gihugu cose.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*